SOUTH EASTERN SYDNEY
ILLAWARRA
NSW HEALTH

KIRUNDI

INDWARA BITA"STRONGYLOIDIASIS"

STRONGYLOIDIASIS

N'iki biti "strongyloidiasis"?

- Ico bita 'Strongyloidiasis' n'indwara itegwa n'akayoka gatoyi cane kiburungushuye kitwa "*Strongyloides stercoralis"*, kaba mu bihugu vyinshi bishushe.
- Abantu bandura iyo utwo tuyoka twinjiye mu mubiri tugaca dushika mu mara.

N'inde ashobora kwandura?

- Uwariwe wese akoze kw'ivu canke k'umwanda mukuru utwo tuyoka twagiyeko ashobora kwandura iyo ndwara. Abantu barenga imiliyoni 30 mu bihugu 70 bararwaye iyo ndwara yitwa 'strongyloidiasis'.
- Izo nzoka zirashobora kuba hanze y'umubiri gushika ku mayinga 3, hanyuma umuntu yandura cane cane iyo atasuku ririho canke hakenye amazi meza.
- Iyo hari amazi meza kandi bakaba bakunda gukaraba mu maboko neza, ni gake iyo ndwara bita' *Strongyloides*' yandukira abandi bantu.

Ibintu vyerekana k'umuntu yanduye n'ibihe?

Abantu benshi barwaye' Strongyloidiasis'nta cerekana ko banduye.

Rimwe na rimwe umuntu yanduye ashobora kuba afise bimwe canke vyose muri ibi bikwirikira:

- Gucibwamwo canke kuribwa mu ntantu.
- Uduhere ku nyo canke mu mafyigo.
- Ububabare bwo mu gikiriza, akarorero, inkorora.
- Rimwe na rimwe, iy'umuntu arwaye bivuye kuzindi mvo, inzoka zishobora gukwira ibindi bice vy'umubiri bigatuma bimutera izindi ndwara zikomeye.
- Abantu banduye utwo tuyoka bita '*Strongyloides'* barashobora kubana n'ivyerekana kwarwaye igihe kirekire, kirenga mbere n'imyaka cumi iyo adaciye yivuza.

Izo nzoka 'Strongyloides'bazitora gute"?

- Iyo bagufashe amaraso bazoca bamenya ko wigize kwandura izo nzoka'*Strongyloides*'.
- Iyo batoye izo nzoka mu maraso, muganga azoshobora kugusaba ngo umushire umusarani rimwe canke kabiri kugira apime ko izo nzoka zigikomeye .

Iyo ndwara bayivura gute?

- Muganga ashobora kuguha ibinini.
- Ibinini nivyiza gusa ku bana canke abantu bakuze bafise amagara meza.
- Abantu barwaye cane iyo ndwara' Strongyloidiasis' bashobora kubarungika ku bandi baganga baruhariwe.

Inyigisho zindi mushobora kuzisanga ahakwirikira